# Imana Allah Yaratanze akarorero k'inzira igororotse

Mu vyakiriwe na Al-Nawwaasi mwene Sam'aani Al-Answaariy (Imana Allah Imwishimire) ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze iti: "Imana Allah Yaratanze akarorero k'inzira igororotse, ku mpande zose za nya nzira hari insika zibiri ziriko imiryango yuguruye; kuri nya miryango na ho hariko Ibizibizo bimanitswe; ku ntango ya nya nzira na ho hari umuraritsi ahamagara avuga ati: "Emwe bantu! Enda nyabuna mwese nimuce muri iyi nzira, ntimuhirahire ngo muce ku mpande zayo!". Hakaba n'uwundi muraritsi ahamagarira hejuru ya nya nzira, maze hagira uwushatse kwugurura umuryango muri ya miryango, agaca yamama avuga ati: "Ntuhirahire ngo uwugurure, kuko niwaramuka uwuguruye uca winjira". Iyo nzira rero, ni ubwislamu; nayo insika zibiri ziri ku mpande zayo, ni imbibe z'amabwirizwa y'Imana Allah; iyo miryango yuguruye na yo, ni ivyazibiririjwe n'Imana Allah; uyo muraritsi na we ahamagara ku ntango y'iyo nzira na we, ni Igitabu c'Imana Allah ca Qor'ani; nayo umuraritsi ahamagarira hejuru y'iyo nzira, akaba ari umushaha mwibutsamana uri mu mutima wa buri mwislamu".

[صحيح] [رواه الترمذي وأحمد]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaratomoye ko Imana Allah Yatanze akarorero k'ubwislamu ko ari nk'inzira igororotse itagirako na hamwe hagoramye; ku mpande zibiri z'iyo nzira, hari insika zibiri ziyikikije; izo nsika zikaba ari zirya mbibe z'amabwirizwa y'Imana Allah; kuri izo nsika hari imiryango yuguruye, na yo ikaba ari birya vyaziririjwe n'Imana Allah; kuri nya miryango, hari ibizibizo bimanitseko bituma uwurengana atabona ibiri inyuma yayo; ku ntango z'iyo nzira, hari umuraritsi yereka abantu aho bategerezwa guca akababwira ati: Enda nyabuna nimuce kuri iyi nzira, ntimuyihushe ngo mutumbere hirya canke hino ku mpande zayo; uyo muraritsi, akaba ari Igitabu c'Imana Allah. Hari n'uwundi muraritsi rero ahamagarira hejuru ya nya nzira, maze yabona hari uwurengana kuri nya nzira ashatse kwugurura ibizibizo biri kuri nya miryango ngo arunguruke ibiri inyuma yayo, n'aho koba ari akantu gato, agaca yamama amubuza ati: Ntuhirahire ngo ukingure ico kizibizo; kuko niwaramuka ugikinguye ngo ubone ibiri inyuma yaco ushoka winjira, kandi ntushobora kwigumya ngo ntiwinjire; uyo muraritsi akaba ari umushaha mwibutsamana uri mu mutima wa buri mwislamu.

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY

لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC
E-Da'wah Committee